**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°28 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 27 GITUGUTU 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 27 Gitugutu 2021, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 25 Gitugutu 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'urugero rw'amahera azokoreshwa muri Reta mu gice ca kabiri c'umwaka w'i 2021 ushira uwa 2022,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta no gutegekanya imigambi y'iterambere.

Urugero rw'amahera akoreshwa rubwirizwa gukurikiza amategeko ahari nayo akaba ari nk'ayerekeye ingene amahera ya Reta akoreshwa, ibwirizwa rishinga amahera Reta izokoresha mu mwaka w'2021 ushira uw'2022, naryo mu ngingo yaryo ya 50 rikaba ritegeka kwerekana urugero rw'amahera akoreshwa mu bisata vya Reta ku mezi atat'atatu, Inama y'Abashikiranganji ikabwirizwa kuvyemeza.

Ayo mahera rero asohoka hafatiwe kuyinjiye mu kigega ca Reta. Urwo rugero rw'amahera rwerekeye amahera yose akoreshwa, kiretse ayajanye n'imishahara be no kuriha amadeni.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje, mu vyo yasavye hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Kuraba neza amahera azokoreshwa ntarenge ibice mirongo itanu kw'ijana (50%) y'ayategekanijwe muri uyu mwaka, hateranijwe ayakoreshejwe mu gice ca mbere c'umwaka n'ayazokoreshwa muri iki gice ca kabiri ;
- Ku bijanye n'uburyo bwagenewe kugura ibikoresho, ibisata ataco vyayakoresheje mu gice ca mbere birarekuriwe gukoreshereza rimwe ayari ategekanijwe mu gice ca mbere n'ayategekanijwe muri iki gice ca kabiri bikageza ku bice mirongo itanu kw'ijana (50%) vy'ayategekanijwe ku mwaka wose;
- Kunyarutsa umugambi uriko urategurwa w'ingene amahera ya Reta yokwegeranywa neza;
- Ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta, ubujejwe uburimyi n'ubujejwe ubudandaji bwoja hamwe bugashira kw'isoko ibigori bibitswe mu bigega kugirango ntivyononekare, bwongere burabire hamwe ko ingingo yafashwe yo guhagarika ukurangurira hanze ibigori itokurwaho, kuko vyinjiye mu gihugu n'ikigega ca Reta kirahungukira**.**
- Gukurikirana neza amahera atozwa n'ibisata vyigenga vyegamiye ubushikiranganji butandukanye kugirango amenyekane, aharurwe mu yinjira mu gihugu;
- Kuraba uburyo Reta yoza irigurira yo nyene ibikoresho ikeneye bitarinze gukorwa n'abandi kuko ivyo bituma ibiciro biba umurengera.

2. **Ibitabu vyerekana ibizorangurwa mu bushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano arivyo vy'ibi :**
    - **Urwandiko rwerekana imigambi izorangurwa mu kiringo co kuva mu mwaka w'2021 gushika mu mwaka w'2027**
    - **Indinganizo y'ingene iyo imigambi izorangurwa**

Ivyo bitabu uko ari bibiri vyashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi, n'umutekano.

Bitanga intumbero be n'ivyo ubushikiranganji bushira imbere y'ibindi, mu gushira mu ngiro Umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere wo kuva mu 2018 gushika mu 2027, no mu gukomeza iyegerezwa ry'ubutegetsi ku benegihugu, kugirango komine ibe koko isôko ry'iterambere rusangi rirama.

**Urwandiko rwerekana imigambi izorangurwa** ruragaruka k'ukugene ubushikiranganji bwagiye burahinduka kuva mu mwaka w'2005, rukerekana ibibazo bihari, rukongera rukerekana ivyo ubushikiranganji bushira imbere y'ibindi.

Nk'uko urwo rwandiko rubivuga, ihangiro ni uko ubushikiranganjii bwoba igisata ca Reta gitunganya mu buhinga nyabwo ibijanye n'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi, n'umutekano, ku neza y'abenegihugu.

Rurerekana kandi inkingi ngenderwako z'ibizorangurwa, ingene bishirwa mu ngiro, be n'ingene iryo shirwa mu ngiro rizokurikiranwa rikongera rigasuzumwa.

Ku bijanye **n'indinganizo y'ingene imigambi izorangurwa**, irerekana inguvu ubushikiranganji bufise n'ingorane zihari, ikongera ikerekana n'ingene iyo migambi ihuye n'Umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere.
Irashiraho ibizokorwa ku kingi imw'imwe yose, n'uburyo buzokenerwa.

Iyi ndinganizo yerekana ibisata bine (4), inkingi cumi na zibiri (12), imigambi mirongo ibiri n'icenda (29), be n'ibikorwa bishirwa imbere y'ibindi ijana na bibiri (102), muri iyi myaka indwi.

Uburyo buzokenerwa muri ico kiringo nabwo bungana n'amafaranga y'amarundi Miliyaridi Igihumbi n'Amajana Atandatu na Mirongo Itatu na Zibiri n'Imiliyoni Amajana Atanu na Zitanu(1 632 505 milliards BIF).

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri izo nteguro, yarazemeje, ica isaba ibi bikurikira:

- Kuraba neza ko uburyo bwategekanijwe mw'ishirwa mu ngiro ry'imigambi buri ku kiringo cose izorangurirwamwo ;
- Kuraba ko imigambi itegekanijwe ihuye n'iyiri mu bindi bitabu ntegekanyamigambi bihari;
- Gutegekanya uburyo bwo ku mwaka ku mwaka bushobora kuboneka butarenze urugero, hisunzwe ibija imbere y'ibindi;
- Kunyarutsa integuro y'itunganywa gushasha kw'imbibe z'intara, amakomine n'imitumba;
- Gushira ku murongo uburyo butangwa n'abafashanya n'Uburundi bukisunga ivyo igihugu gishira imbere y'ibindi;
- Mu ndinganizo y'ibizorangurwa, hoshirwamwo kandi ibi bikurikira :
  - Gukomeza ibiganiro mu migambwe ;
  - Kwigisha gukunda igihugu;
  - Ikibazo c'intonde zugaye canke zuguruye mu matora y'abaserukira abandi ku mitumba
  - Ikibazo c'ibitigiri bifatiye ku bwoko mu nzego za Reta;
  - Kwiga uburyo bwo kugabanya imvyaro n'irondoka rijanye n'amagara meza ;
  - Gukurikirana uruja n'uruza rw'abantu mu gihugu;
  - Gukurikirana uruja n'uruza rw'impunzi ziri ngaha mu Burundi ;
  - Kumenya no gukurikiranira hafi inyubako z'amakomine;
  - Gukomeza akarangamutima ku barongozi;
  - Ikibazo kijanye n'ugutorana ku bakenyezi n'abigeme;
  - Ikibazo c'abana batazi ba se;

- Gutora uburyo bwiza bwo kumenyekanisha ibirangurwa mu bushikiranganji.

3. **Indinganizo y'imigambi izorangurwa mu bushikiranganji bwo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira.

   Uburundi bwarashizeho umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere, ukaba ariwo wisungwa mugutegekanya imigambi y'iterambere mu bisata binyuranye.

   Mu ntumbero yo kugirango ibisata vyose biterere mw'ishirwa mu ngiro ryawo, hasabwe ko igisata cose cogira indinganizo yaco yisunga uwo mugambi, be n'itunganyabikorwa ryayo.

   Ni muri iyo ntumbero ubushikiranganji bwo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira bwateguye iyi ndinganizo.

   Iyi ndinganizo niyo izisungwa n'ibisata bigize ubushikiranganji uko ari bitatu navyo bikaba ari ibi :
   - Igisata kijejwe gukingira agateka ka zina muntu, ihangiro ryaco rikaba ari uko Uburundi buba igihugu cubahiriza koko agateka ka zina muntu ;
   - Igisata kijejwe gukingira no gutegekaniriza kazoza abenegihugu, ihangiro ryaco rikaba ari uko abenegihugu bose bokingirwa bakongera bagategekanirizwa kazoza ku rugero rushimishije ;
   - Igisata kijejwe guteza imbere umukenyezi, ihangiro ryaco rikaba ari ukubaka igihugu abakenyezi n'abagabo bafise uburenganzira bungana imbere y'amategeko, bakongera bagasabwa ibingana mw'iterambere ry'igihugu.

   Imigambi yose ijanye n'iterambere muri ivyo bisata izobwirizwa kwisunga izo ntumbero.

   Inama nshikiranganji yari yihweje iyi nteguro kw'igenekerezo rya 19 Rusama 2021, irayunganira, ica isaba ko yohinyanyurwa neza ikagarukanwa mu nama nshikiranganji kugirango iyemeze.

   Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro ihinyanyuye yashikirijwe, yasanze yarafatiye ku vyari vyasabwe, ica irayemeza, ica isaba ibi bikurikira :

   - Kuraba neza ko uburyo bwategekanijwe mw'ishirwa mu ngiro ry'imigambi buri ku kiringo cose izorangurirwamwo ;

- Kuraba ko imigambi itegekanijwe ihuye n'iyiri mu bindi bitabu ntegekanyamigambi bihari;
- Gutegekanya uburyo bwo ku mwaka ku mwaka bushobora kuboneka butarenze urugero, hisunzwe ibishirwa imbere y'ibindi ;
- Gushiraho ivyisungwa kugirango umuntu yitwe ntahonikora ;
- Gusubiramwo ishirwa mu ngiro ry'umugambi MERANKABANDI, kugirango muri kazoza, umuntu afashwe nawe hari ico yaterereye, kugirango abantu ntibamenyere ivya gusa, na kare ngo  ivya gusa bitera ubwenge buke ;
- Gutomora ibifatirwako mu gutora intara zirangurirwamwo imigambi be n'abafashwa abaribo ;
- Gushira ku murongo uburyo butangwa n'abafashanya n'Uburundi bukisunga ivyo igihugu gishira imbere y'ibindi;
- Mu ndinganizo y'ibizorangurwa, hokwongerwako kandi ibi bikurikira :
    - Gushikana ibisata vy'ubushikiranganji mu makomine ;
    - Kuraba ingene abakukurutse bobaho neza kuruta, nka twa dufaranga turonswa abakukurutse;
    - Ikibazo co kurihisha agakarata ko kwivurizako, hisunzwe uburyo bw'uwukarondera;
    - Guharura ibitigiri vya ba ntahonikora b'ukuri ;
    - Itunganywa neza ry'amarerero y'impfuvyi ;
    - Ikibazo c'abagabo bagira abagore benshi;
    - Gutora uburyo nyabwo bwo kumenyekanisha ibirangurwa mu bushikiranganji.

4. **Indinganizo y'imigambi izorangurwa mu bushikiranganji bujejwe inyubakwa, ibikoresho n'ibikorwa vya Reta no kugwiza uburaro,** yashikirijwe n'umushikirnganji ajejwe inyubakwa, ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Iyi ndinganizo yateguwe mu ntumbero yo gushira mu ngiro Umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere, mu bijanye n'imirimo ubwo bushikiranganji bujewe.

Ku bijanye n'imyaka cumi iyi ndinganizo y'imigambi izomara, imigambi imw'imwe iriko iraja mu ngiro, haraheze imyaka itatu.
Iyi ndinganizo rero ije nk'inyishu ku ngorane zagiye ziribonekeza, kugirango ivyaranguwe bishimangirwe.

Bikuru bikuru biri muri iyi ndinganizo bifise intumbero yo kugwiza imihora, mu gusanura canke kwagura amabarabara ya kaburimbo, kubungabunga amabarabara ahari canke ayariko arubakwa.

Ku bijanye n'ibikoresho vya Reta, hazoronderwa amamashini afasha mu kurangura ibikorwa vya Reta.

Kuvyerekeye uburaro, hazoshirwa imbere iyubakwa ry'amazu atazimvye cane ku bakozi ba Reta, n'abandi bafise uburyo bubayabaye bayipfuza.

Iyi ndinganizo ifise imigambi minini minini cumi n'indwi (17) n'iyiyikomokako mito mito mirongo ine n'ibiri (42).

Mu ntumbero yo kugirango iyi ndinganizo y'imigambi ije mu ngiro koko, haraтegekanijwe inzego zizobikurikiranira hafi, ukaba ari umurwi uri hejuru ku rwego rw'ubushikiranganji, ukaba uzofashwa n'umugwi w'abahinga.

Imigambi yose itegekanijwe isaba uburyo bungana na Miliyaridi Ibihumbi Bitanu n'Amajana Atandatu na Cumi n'Umwe, na Miliyoni Amajana Indwi na Mirongo Indwi z'amahera y'amarundi (5 611 770 000 000 milliardsFbu).

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyi nteguro yarayemeje, mu vyasabwe hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Gutunganya neza iyo nteguro igatangurwa n'indinganizo y'imigambi, hagakurikira intunganyo y'ishirwa mu ngiro ryayo ;
- Gutegekanya muri iyi ndinganizo ibijanye no kwigisha abahinga kuko ubushikiranganji burabakeneye mu bisata vyabwo bitandukanye;
- Kuraba neza ko uburyo bwatagekanijwe mw'ishirwa mu ngiro ry'imigambi buri ku kiringo cose izorangurirwamwo ;
- Kuraba ko imigambi itegekanijwe ihuye n'iyiri mu bindi bitabu ntegekanyamigambi bihari;
- Gutegekanya uburyo bwo ku mwaka ku mwaka bushobora kuboneka butarenze urugero, hisunzwe ibishirwa imbere y'ibindi ;
- Kuraba amategeko akwiye gusubirwamwo kugirango haboneke ayari ku gihe;
- Gufashanya n'ubushikiranganji bujejwe ibidukikije mu gutegakanya ingene inkengera z'Ikiyaga Tanganyika zotunganywa neza;
- Gutegekanya ingene amabarabara yobungabungwa akongera agasanurwa;
- Gutunganya ivyigwa vyerekeye imigambi itandukanye bikama biriho, kugirango abipfuza gufasha mu mugambi uyu canke uriya babironke umwanya wose bavyipfuje;
- Gusubiramwo ikiringo iyo migambi izorangurwamwo kigahera muri uyu mwaka w'2021;
- Gutegekanya ingene ubushikiranganji buzoza buraronka ibikoresho;
- Mu ndinganizo y'ibizorangurwa, hoshirwamwo kandi n'ibi bikurikira :

- Gushikana ibisata vy’ubushikiranganji mu makomine ;
- Gutegekanya ikiringo gitomoye co gusanura amabarabara, ayoza imbere y’ayandi aka ari Bujumbura- Gitega na Bugarama-Kobero;
- Kwubaka neza amahuriro y’amabarabara (ronds- points mu rurimi rw’igifaransa) agasharizwa n’ivyibutso bigaragaza imico y’Abarundi ;
- Kwubaka mw’ikomine yose inyubakwa igeretse, igakoreramwo n’ibisata vy’ubushikiranganji butandukanye bukorera mw’ikomine;
- Kugura imiduga ya Reta yokora ivy’akazi gusa ;
- Kwiga uburyo bwo gusanura imiduga ya Reta ku buryo bubayabaye;
- Gutunganya urutonde rw’amazu ya Reta ari mu gihugu cose;
- Kugira amatohoza yimbitse mu ntumbero yo kumenya neza ibijanye n’Ikirimba c’Umukuru w’Igihugu c’i Kiriri;
- Kurondera ibibanza mu ntara zose bizokwubakwamwo amazu y’abakozi ba Reta canke abandi bayipfuza, hisunzwe uko basumbasumbana mu mikoro;
- Gukomeza iyubakwa ry’ibigwati;
- Gutunganya ibibanza vyo gufatiramwo akayaga, gukiniramwo no kwinezereza;
- Gutegekanya ingene Reta yo nyene yoza irigurira ibikoresho vyo mu mazu yayo;
- Guteza imbere ugutwara abantu n’ibintu mu Kiyaga Tanganyika ;
- Gukorana n’ubushikiranganji bw’ikigega ca Reta mu kurondera uburyo bwo kwubaka ibarabara ry’indarayi ;
- Gusanura ikibuga c’indege citiriwe Melchior NDANDAYE;
- Kwubaka amazu ya Reta yo gukoreramwo i Gitega;
- Gufashanya n’Ubushikiranganji bujejwe gushigikirana n’ubujejwe intwaro yo hagati mu gihugu mu kwiha intumbero y’uko ata nzu ya Nyakatsi yoba ikivugwa mu gihugu;
- Gutorera umuti burundu ikibazo c’ibibanza vyo kwubakamwo biri hafi y’Ikirimba c’Umukuru w’Igihugu citiriwe NTARE RUSHATSI ;
- Kwubaka ikibuga coberamwo imikino yose, gikwijwe ibisabwa ku rwego mpuzamakungu;
- Gutegura ahokwubakwa amazu akoreramwo abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi;
- Kwubaka inzu y’amanama mpuzamakungu ;
- Gufata ingingo ku mazu yubatswe mu bibanza vya Reta bitarekuriwe kwubakwamwo ariko bene amazu bakaba bafise impapuro ndangatongo ;
- Gutora uburyo nyabwo bwo kumenyekanisha ibirangurwa mu bushikiranganji.

5. **Indinganizo y’imigambi izorangurwa mu bushikiranganji bw’abakozi ba Reta n’akazi,** yashikirijwe n’umushikiranganji w’abakozi ba Reta n’akazi.

Uburundi bwarashizeho umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere, ukaba ariwo wisungwa mugutegekanya imigambi y'iterambere mu bisata binyuranye.

Iyi ndinganizo niyo yerekana ibitegekanijwe kurangurwa mu bisata vy'abakozi ba Reta, gutunganya gushasha akazi ka Reta, be n'akazi mu gisata c'abikorera ivy'abo, be no gukarihiriza ubwenge abakozi.

Iyi ndinganizo ifise intumbero nkuru nkuru icenda (9), inkingi zazo mirongo itatu na zitatu (33), imigambi mirongo ine n'indwi (47), n'ibikorwa bizorangurwa ijana (100) .

Irategekanya inzego zizokurikirana ishirwa mu ngiro ryayo, zikaba zigizwe n'umurwi uri ku rwego rw'umushikiranganji, ukaba uzofashwa n'umugwi w'abahinga.
Iyi ndinganizo izosaba uburyo bugera ku mahera y'amarundi Miliyaridi Ijana na Zitandatu, Miliyoni Amajana Munani na Cumi na Zitandatu n'Ibihumbi Amajana Indwi na Mirongo Itandatu n'Umunani (106 816 768 000Fbu).

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro yarayemeje, ica isaba ibi bikurikira:

- Kuraba neza ko uburyo bwatagekanijwe mw'ishirwa mu ngiro ry'imigambi buri ku kiringo cose izorangurirwamwo ;
- Kuraba ko imigambi itegekanijwe ihuye n'iyiri mu bindi bitabu ntegekanyamigambi bihari;
- Gutegekanya uburyo bwo ku mwaka ku mwaka bushobora kuboneka butarenze urugero hisunzwe imigambi izi imbere y'iyindi ;
- Gutegekanya neza ingene uburyo buzoza bureronderwa;
- Gutegura vuba amategeko nshikiranganji atuma abakorera mu kinywabi (secteur informel) bamenyekana bagakorera ahabona (secteur formel) ;
- Gukorana n'ubushikiranganji bujejwe imigenderanire y'Uburundi n'amakungu kugirango amashirahamwe yo hanze arekuriwe kurondera abakozi akorana n'abari ngaha mu gihugu amenyekane;
- Kunyarutsa gushiraho amasezerano hagati y'Uburundi n'ibihugu vyakira abakozi b'Abarundi, kugirango vyose bikorwe hisunzwe amategeko;
- Kwiga ingene incabwenge z'Abarundi zitoherera hanze y'igihugu zija kurondera ubuzi kandi igihugu kizikeneye.
- Mu ndinganizo y'ibizorangurwa, hoshirwamwo kandi ibi bikurikira :

    - Gushikana ibisata vy'ubushikiranganji mu makomine ;
    - Guheraheza rusansuma y'abakozi ba Reta;

- Gutunganya neza ibiharuro vy'abakukuruka kugirango isubirizwa ryabo ritegurwe hakiri kare;
- Gukurikirana neza ibijanye n'abakozi ba Reta bahamagarwa canke bagenwa kuja kurangura ayandi mabanga;
- Gukomeza inyigisho nkarisabwenge ku bakozi ba Reta;
- Gukura mu nzira ikibazo kijanye no gukuraho ubusumbasumbane bw'imishahara;
- Kuraba icokorwa mu gukingira abakozi batazwi na INSS canke na ONPR ;
- Kwiga ingingo zofasha kugirango abakozi ba Reta basabe kwigira mu kiruhuko c'izabukuru kare naho ikiringo coba kitaragera;
- Gutora uburyo nyabwo bwo kumenyekanisha ibirangurwa mu bushikiranganji.

6. **Indinganizo y'imigambi izorangurwa mu bushikiranganji bw'amazi amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Iyi ndinganizo ije mu ntumbero yo gushira mu ngiro Umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere, mu vyerekeye imirimo ubwo bushikirannfanji bujejwe.

Yateguwe mu ntumbero yo gukomeza ibisata bishigikira mw'iterambere , navyo ni igisata c'amazi meza n'isuku, igisata c'amasoko ntanganguvu, igisata c'ibitoro, ubutare na kariyeri.

Yubakiye ku ntumbero ikurikira: « Ubushikiranganji bw'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka, umushinge w'iterambere rirama biciye mu guteza imbere icukurwa ry'ubutare, gukwiragiza amazi meza n'amasoko ntanganguvu, bigateza imbere ubutunzi, abenegihugu bakabaho neza ».

Mu ntumbero nyamukuru zitanu ziri mu Mugambi mukuru w'igihugu w'iterambere, ubwo bushikiranganji burabwa ahanini n'iyerekeye gukomeza ibisata biteza imbere ubutunzi ».

Iyo, niyo ibikorwa bizorangurwa mu bushikiranganji, vyisunga.

Imigambi yose itegekanijwe izokenera uburyo bungana na Miliyaridi Ibihumbi Bitatu n'Amajana Atanu na Mirongo Ine n'Indwi, na Miliyoni Amajana Atandatu na Mirongo Itandatu z'amahera y'amarundi (3 547,66 milliards Fbu).

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje ica isaba ibi bikurikira:

- Kuraba neza ko uburyo bwatagekanijwe mw’ishirwa mu ngiro ry’imigambi buri ku kiringo cose izorangurirwamwo ;
- Kuraba ko imigambi itegekanijwe ihuye n’iyiri mu bindi bitabu ntegekanyamigambi bihari;
- Gutegekanya uburyo bwo ku mwaka ku mwaka bushobora kuboneka butarenze urugero, hisunzwe imigambi iza imbere y’iyindi ;
- Gukora ibishoboka vyose Reta ikitunganiriza yo nyene ubushakashatsi mu butare, ikamenya ubwo ifise ubw’aribwo, uko bungana n’ico buciye, kugirango icukurwa ryabwo ryorohe;
- Gushiraho uburyo burashe bwo kwinjiza igitoro mu gihugu no kugishingura ;
- Gutegekanya igitoro c’integabizoza gishobora gusahiriza iyo cakenye ;
- Mu ndinganizo y’ibizorangurwa, ibindi vyoshirwamwo n’ibi bikurikira :
    - Gushikana ibisata vy’ubushikiranganji mu makomine ;
    - Gukwiragiza amazi meza ku mitumba yose gushika mu 2025;
    - Kugwiza ingomero z’umuyagankuba;
    - Guteza imbere ikoreshwa ry’amasoko ntanganguvu avuye mu micafu (biogaz) mu gihugu hagati ;
    - Guteza imbere ikoreshwa ry’umwuka (gaz) mu bisagara;
    - Guteza imbere ikoreshwa ry’ibizuku ;
    - Gushiraho politike itomoye mu ntumbero yo gushora ubutare bwitirirwa Uburundi ;
    - Kwiga uburyo Reta yorangura igitoro, abakidandaza bakaza kuyirangurako ;
    - Kwiga uburyo nyabwo bwo kumenyekanisha ibirangurwa mu bushikiranganji.

7. **Integuro y’itegeko ryaka ishirahamwe Burundi Mining Metallurgy International (BMM International) uruhusha rwo gucukura ubutare bwa Nikele n’ubundi bubuherekeza mu karere ka Musongati,** yashikirijwe n’Umushikiranganji w’Amazi, Amasoko Ntanganguvu, Ubutare n’Agataka

Muri Rusama 2014, harashizwe umukono ku masezerano yo gucukura ubutare bwa Nikele bw’i Musongati hagati y’ishirahamwe BMM International na Reta y’Uburundi.
Uruhusha rwo gucukura ubwo butare rwatanzwe n’itegeko ry’Umukuru w’Igihugu muri Ruheshi 2014, hanyuma ibikorwa vyo gucukura vyugururwa ku mugaragaro muri Gitugutu 2014.

Ishirahamwe BMM ryaribukijwe kenshi kwubahiriza amasezerano ryashize ko umukono ngo ritangure ibikorwa nyezina vyo gucukura ubwo butare, ariko ryagumye ryica amatwi.

Iruhande yo kudatangura ibikorwa, iryo shirahamwe ryaranse gutanga ivyo risabwa kwerekana bijanye n'ubwo butare, kandi bisanzwe bitegekwa n'igitabu c'amategeko agenga ubutare, be n' amasezerano ryashizeko umukono.

Izo mvo nizo zitumye iyi nteguro y'itegeko ryaka iryo shirahamwe uruhusha ryaronkejwe rwo gucukura ubutare bwa Nikele.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje, ariko ica isaba ko yoherekezwa n'urwandiko rwerekana ingene iyo dosiye yifashe hihwejwe amategeko.
Yasavye kandi ko iryo shirahamwe ryotegekwa gusubiza ivyo ryatwaye ngo ribijanye mu masuzumiro.

8. **Integuro y'itegeko rigenga abahoze ku rugamba,** yashikirijwe n'Umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Itegeko rishinga imirimo rikongera rigatunganya ubushikiranganji bwo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba, mu mirimo riha ubwo bushikiranganji, harimwo iyerekeye abahoze ku rugamba.

Kugirango iyo mirimo ishobore kurangurwa, ubushikiranganji bwarashizeho ubuyobozi bukuru bujejwe abahoze ku rugamba.

Naho ubwo bushikiranganji bukurikirana abahoze ku rugamba kuva igisirikare n'igipolisi vyari bihari bigiye hamwe n'abahoze ku rugamba begamiye imigambwe n'imihari yarwana, nta mategeko bwite agenga abahoze ku rugamba ahari gushika ubu**.**

Iyi nteguro ije gutora inyishu kuri ico kibazo.

Iyi nteguro iravuga ko uwahoze ku rugamba ari umuntu yari mu gisirikare ca Reta canke yegamiye umugambwe canke umuhari warwana, yavuyemwo mu buryo buzwi, canke yasubijwe mu buzima busanzwe.

Iyi nteguro iravuga kandi ivyo uwahoze ku rugamba arekuriwe, n'ivyo ategerezwa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, mu vyo yasavye hakaba harimwo ibi bikurikira:

- Mu mvo n'imvano y'iyi nteguro, kwerekana ingene ikibazo c'abahoze ku rugamba cifashe ;
- Gutomora neza « uwahoze ku rugamba » uwo ariwe, kugirango ntihabe ukwitiranya;

9. **Integuro y'amasezerano y'umwumvikano hagati y'ishirahamwe ryo mu gihugu ca Misiri EL SEWEDY ELECTRONIC na Reta y'Uburundi** yashikirijwe n'umushikiranganji wo kumenyesha amakuru, ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru n'ibimenyeshamakuru**.**

Igisata c'ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru gifise uruhara runini mw'iterambere ry'imibano n'ubutunzi mu Gihugu.
Nico gituma Umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere, mu nkingi zawo, uha ikibanza kinini ugukomeza ico gisata.

Ubushikiranganji bwo kumenyesha amakuru, ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru n'ibimenyeshamakuru bwisunze indinganizo yabwo ishira mu ngiro umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere, bwihweje kandi uruhara rw'igisata c'abikorera ivyabo mu guteza imbere ubuhinga bwa none bwo gutumatunako amakuru, be n'ubushobozi n'ubuhinga bw'ishirahamwe ryo mu gihugu ca Misiri EL SEWEDY ELECTRONIC buzwi no ku rwego mpuzamakungu, bwipfuza gushiraho amasezerano azokwisungwa mu gukorana n'iryo shiramwe mu bijanye n'ubwo buhinga.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro yashikirijwe. Harimwo ibizokwisungwa n'izo mpande zibiri mu kwiga, gutegura no gushira mu ngiro imigambi izo mpande zipfuza gufashanyamwo, nayo ikaba ari iyi ikurikira :

- Kwubaka ikigo c'igihugu c'itororokanirizo ry'ibiharuro mu bisata vyose (Centre National de Données Intégré) ;
- Kwagura wa muhora w'ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru (Réseau Métropolitain à Fibre Optique) mu bisagara vya Bujumbura, Ngozi na Gitega;
- Kunagura umuhora wa telefone isanzwe, ugakora ku buhinga bwa none.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro,yaremeje ayo masezerano, ico isaba ko mu gihe c'itegurwa ry'imigambi nyezina, yoheza ikazanwa mu nama nshikiranganji, kugirango ibanze irabe ko ishoboka.

10.**Utuntu n'utundi**

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje abashikiranganji ko hari umwiherero wabo wimirije, ukazoca ukurikirwa n'uw'uwuzoba urimwo n'abayobozi bakuru n'abagenduzi bakuru mu bushikiranganji butandukanye.

  Yarabamenyesheje kandi ko igikorane giheza umwaka w2021 kizobera i Bujumbura, kandi ko kizomara iminsi itanu.

Bigiriwe i Bujumbura, 28 Gitugutu 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi

Prosper NTAHORWAMIYE